UKURI BURUNDI

Bujumbura, kuwa 23 Ruheshi 2017 vol 25/017 UKURI

UMURWI WA ONU UJEJWE AMATOHOZA KU BURUNDI WARASHIZE AHABONA ICEGERANYO CAWO KIGIRA KABIRI.

Mu nama ya ONU y'agateka ka zina muntu yo kur'uyu wa 15 Ruheshi 2017, umurwi wa ONU ujejwe amatohoza ku mabi n'ubwicanyi biriko birakorwa mu gihugu c'Uburundi warashize ahabona icegeranyo cawo kigira kabiri. Mu mezi ane umaze ukora, uwo murwi yamenyesheje ko washoboye kwegeranya ivyemezo vyinshi kubwicanyi, kuborezwa igufa kw'abanyagihugu, inyuruzwa n'ishurashuzwa ku nguvu ry'abigeme n'abapfasoni kuva muri Ndamukiza 2015.

Fatsa Ouguergouz arangoye uwo murwi wa ONU w'amatohoza ku Burundi yamenyesheje ko uguhonyanga agateka ka zina muntu mu Burundi bitigeze bihagarara kuva muri Ndamukiza 2015. Yagize ati:" ***Uguhonyanga agateka ka zina muntu, yaba ivyagirizwa inzego za leta, ivyagirizwa imbonerakure canke imirwi irwana, ntivyigeze bihagarara kuva muri Ndamukiza 2015. Kuva dutangura amatohoza, twaravuganye n'ivyabona birenga 270 ku mabi yakozwe mu Burundi kuva muri Ndamukiza 2015. Ivyo vyaje kwiyongera kuvyo twari twamaze gutohoza. Amatohoza yacu yatumye twemeza bikuru bikuru muvyari vyashikirijwe aha nyene inyuma y'amatohoza yakozwe n'uwurongoye igisata ca ONU c'agateka ka zina muntu hamwe n'amatohoza yingenga ya ONU ku Burundi. Muri ayo mabi harimwo ubwicanyi bukorwa n'inzego za leta, ukuboreza igufa abanyagihugu n'ayandi mabi y'ubunyamaswa. Amabi akorerwa abigeme n'abakenyezi harimwo ugushurashuzwa ku nguvu, ugufatwa no gufungwa agasakisaki hamwe no kuburwa irengero.***"

Yamara leta y'i Bujumbura yo, ibicishije kuri Renovat Tabu uwayiserukiye muri iyo nama ya ONU y'agateka ka zina muntu yamenyesheje ko leta yaje aserukira yaciriwe urwa Pirato. Yagize ati:" ***Birababaje kubona ubwigenge bw'abarundi bwo kwitorera ababarongoye no kwihitiramwo ingene botwarwa buvogerwa kumugaragaro n'ibihugu bimwe bimwe biri mw'ishirahamwe ONU, vyihaye ububasha bwo gucungera Uburundi no kwisuka ataco vyinona mu bikorwa vya leta y'Uburundi. Nobibutsa ko uyu murwi wavuye mucegeranyo ca EINUB carimwo ivyipfuzo vy'ubumwe bwa Buraya bwateye akagere leta n'abanyagihugu b'Uburundi. Uburundi rero ntibutangajwe n'ico cegeranyo kigira kabiri gisa n'ico ca EINUB twari twiyamirije.***"

Muri iyo nama ya ONU ijejwe agateka ka zina igira iya 35, uwo murwi wa ONU ujejwe amatohoza mu Burundi warangije umenyesha ko muri kino gihe amabi atandukanye abandanya akorwa mu kinyegero mu Burundi kandi hakoreshejwe ubunyamaswa burenze urugero.

M.Dior

AMASHIRAHAMWE Y'URWARUKA RW'ABARUNDI BAHUNGIYE MU GISAGARA CA KIGALI BARATUNGANIJE IBIRORI BIJANYE NO GUHIMBAZA UMUSI WAHARIWE UMWANA W'UMUNYAFRIKA.

Mu ntumbero yo guhimbaza umusi wahariwe umwana w'umunyafrika, kur'uyu wa 16 Ruheshi 2017, amashirahamwe 4 (Kigali students, Club culturel HIMBAZA, Burundais dynamiques, MIJB) ahurikiyemwo urwaruka rw'abarundi bahungiye mu gisagara ca Kigali mu gihugu c'Urwanda, yaratunganije ibirori, aho kabaye akaryo ko kwerekana ivyo urwo rwaruka rumaze kurangura n'aho bari mu buzima butoroshe muri ico gihugu bahungiyemwo. Kabaye n'akaryo ko guha urupapuro rw'iteka bamwe muri urwo rwaruka ngo kuko berekanye ubutwari budasanzwe mu bikorwa bariko bararangurira muri ico gihugu c'Urwanda.

Ku civugo" TUBE UMWE MUBUDASA", mu kigo citiriwe Centre Communautaire Oasis de Paix kiri mu karere ka Kicukiro, niho hari hahuriye ayo mashirahamwe ahurikiyemwo urwo rwaruka ry'abarundi, mu ntumbero yo guhimbaza uwo musi mpuzamakungu wahariwe umwana w'umunyafrika. Kabaye n'akaryo keza ko kwerekana bimwe muvyo urwo rwaruka rw'abarundi rwahungiye mu gihugu c'Urwanda rwashoboye kurangura. Aha twobabwira nk'amasabuni yo mubwoko bwa kijambere (savon gel), gutunganya ifu y'ubuyi, amasakoshi y'abapfasoni ajishwe mu bwoko bwa kijambere, ibikoresho n'ibicapo vyo gushariza bitandukanye n'ibindi bijanye n'utugenegene.

Abatimbo b'ingoma bahurikiye mu murwi ndangakaranga HIMBAZA bamenyesheje ko uretse ko uwo murisho ubafasha kugumya akaranga n'ukwerekana umuco w'ikirundi kubatawuzi, ngo uranabafasha mu kwikenura mubitari bike. Yannick arongoye uwo murwi w'abatimbo yagize ati:" ***mu kuja hamwe n'iyi mirwi yindi y'urwaruka rw'abarundi rwahungiye mu gihugu c'Urwanda, twashatse kwerekana y'uko mu butandukane bwacu, arwaruka rw'abarundi rurafise impano zitandukanye. Twararavye dusanga n'ubwo turi mubuhungiro mu buzima butoroshe, dushima kwifadikanya n'abandi, dukore kugira dushobore gutera intege n'abandi bose boba bafise impano baryamitse muhira, bahaguruke dukore dushobore kwibeshaho kugira dushobore kubandanya ubuzima n'ubwo turi mubuhungiro.***"

Urwaruka ruhurikiye mw'ishirahamwe DUSHAZE MU RUKUNDO nabo nyene ntibari batanzwe kuza kurata ivyo bamaze kurangura binabafasha kubaho mu gisagara ca Kigali. Umwe muribo yagize ati:" ***Duhingura amasakoshi y'abapfasoni mu buhinga bwa none, tukayaterako amashurwe canke amagagwe, isakoshi igaca isa neza kurusha. Turakora n'ivyo bita ama bijoux (ibidede, amahereni) bijanye n'ayo masakoshi nyene. Turakora n'ivyo bita ama sous plat abantu bakunda kwifata neza bashira musi y'amasahani kugira amameza yabo adacafura n'utwo gushirako ibirahuri.***"

Boris Horugavye arongoye ishirahamwe mpuzamakungu y'urwaruka rw'Uburundi MIJB mu gihugu c'Urwanda yamenyesheje ko bashatse gutera intege urwaruka rwakoze ibikorwa bishimishije muvyo kwiteza imbere hamwe no guhimiriza abandi kubafatirako akarorero. Yagize ati:" ***Twagomba kwereka urwaruka y'uko hariho bamwe bashoboye gutera intambwe bakoresheje impano zabo, bakoresheje n'intoke zabo. Mwashoboye kubabona banaducurarangiye. Hari n'uwundi w'i Mahama yaduteye iteka mukuba uwa gatanu muvyo kwinonora imitsi mu kwiruka (marathon). Hariho urwaruka rwashoboye kwerekana isura nziza, turaza kubaha ivyete vy'iteka kugira dukangurire urwaruka rundi ruvyuke rwiteze imbere.***"

B.Armel

KU MUSI MPUZAMAKUNGU WAHARIWE UMWANA W'UMUNYAFRIKA URWARUKA RW'UMUGAMBWE MSD RWARIYAMIRIJE UBWICANYI BURIKO BUKORERWA URWARUKA RW'ABARUNDI.

Kur'uyu wa 16 Juin 2017, aho isi yose yariko ihimbaza umusi mpuzamakungu wahariwe umwana w'umunyafrika, urwaruka rw'umugambwe MSD rwariyamirije ubwicanyi n'itotezwa bikorerwa urwaruka rwo mur'uwo mugambwe, eka mbere urwaruka rw'abarundi muri rusangi.

Diomede Kabura avugira urwaruka rwa MSD yateye akamo amakungu kuva mu majambo akaja nyabuna mu bikorwa vyo gutuza Petero Nkurunziza na leta yiwe iriko iramarira ku buhomba abana b'Uburundi. Yagize ati:" ***Ibiriko***

biraba ubu n'agahomerabunwa. Hirya no hino mu gihugu haratorwa ibiziga, urwaruka ruricwa, rurangazwa, rurapfungwa eka benshi ntituronka irengero ryabo. Turabona ko hari ibihumbi vyinshi vy'urwaruka vyapfuye, abandi bavundiye mu busho n'abandi bari mu makambi y'impunzi atandukanye. Ico rero twosaba urwaruka rw'abarundi muri rusangi, na cane cane urwaruka rw'umugambwe MSD, n'uko twoguma ku murongo twatanguye kuko urugamba twatanguye dutegerezwa kurusoza, dutegerezwa kurukora gushika aho tuzoraga igihugu abarundi, Uburundi burangwa n'amategeko, aho umurundi yishira akizana, Uburundi bumwe basokuru baturaga bavuga bati igihugu c'amata n'ubuki. Twotera akamo amakungu ave hasi, arabe ihonyabwoko ririko rirakorerwa urwaruka, ihonyabwoko ririko riraba mu Burundi, ayo makungu ave hasi akinge. Kuko uko biri ubu bibandanije, bishobora kuba bibi gusumba. Amakungu n'ave hasi, ave mu majambo aje mubikorwa, bafatire ibihano leta y'i Bujumbura kugira ihagarike ubwo bwicanyi iriko iragirira abana b'igihugu, ubwicanyi iriko iragirira abo yarijejwe gukingira."

B.Armel

LETA Y'I BUJUMBURA YARAREKANYE AHO IHAGAZE KUBIJANYE N'UGUHINDURA IBWIRIZWA SHINGIRO.

Mu kiganiro c'abavugizi b'inzego za leta co kur'uyu wa 16 Ruheshi 2017, umuvugizi wa Petero Nkurunziza, Jean Claude Karerwa Ndenzako yemenyesheje ko ibwirizwa shingiro ngo ridategerezwa kubera intambamyi Petero Nkurunziza mu gihe abarundi boba bipfuza ko abandanya arongoye Uburundi.

Muri ico kiganiro cabereye mu ntara ya Cankuzo, leta y'i Bujumbura ibona ko ata n'umwe yoshobora kuyibangamira muri iyo ntumbero kuko ngo yoba ahonyanze ubwigenge bw'Uburundi. Ico kiganiro c'abavugizi b'inzego za leta ahanini casa n'icari gifatiye kw'ihindurwa ry'ibwirizwa shingiro ivyasabwe mucegeranyo c'umurwi w'ibiganiro hagati mu gihugu CNDI. Jean Claude Karerwa Ndenzako yagize ati:" ***Umukuru w'igihugu ntiyitoza, umukuru w'igihugu aratozwa. Murazi ko arongoye igihugu nk'uwuserukira umugambwe CNDD-FDD uri kubutegetsi. Abarundi barasavye koko y'uko umukuru w'igihugu bomwitorera, bakemererwa n'ugusubira kumutora, ntibavuze kw'ibiringo vyovanwaho, bavuze ko ibihetangabo arivyo vyovanwaho. Ibihetangabo n'ukuvuga y'uko umuntu atowe mu kiringo c'imyaka 5, ashobora gutorwa ku kindi kiringo c'imyaka 5 n'iyindi 5 n'iyindi 5. Nk'uko yabivuze, nta n'umwe azokwanka ivyo abarundi bashaka, kandi ivyo abantu babitegere. Ibwirizwa shingiro ryarahindutse mu Buganda, abaganda n'amakungu bakoma amashi. Ibwirizwa shingiro ryarahindutse mu Rwanda, abanyarwanda n'amakungu barakoma amashi. Rihindutse mu Burundi, bagasaba n'ivyasabwe ahandi, abantu bavyumve ko ari ibisanzwe, nk'uko vyamye hambere hose, ni bimere ko n'ubu n'imyaka yose.***"

Umuvugizi wa leta y'i Bujumbura Filipo Nzobonariba yamenyesheje ko ibwirizwa shingiro ryamye ari intambamyi kuva mu mwaka wa 2015. Filipo Nzobonariba yavuze kandi ko ikibazo c'ibwirizwa shingiro arico bafatirako muguteranya abarundi. Yavuze kandi ko Uburundi bufise ububasha buhabwa na ONU bwo kwitunganya nk'igihugu. yagize ati:" ***ONU yemera ko Uburundi burekuriwe, kuva umusi twikukira, kwitungaririza ivy'ibihugu vyose bigize umuryango birekuriwe. Kirazira ko haba umuntu ava hanze ngo aje kurunguruka ibijanye n'ibwirizwa shingiro ngo mu Burundi gira gutya. Umukuru w'igihugu c'Ubudagi umupfasoni Angela Merkel, aheruka kwitoza ku ncuro igira kane. Ishirahamwe ry'ibihugu vya Buraya ntiryakoranye ngo tugira dukure Ubudagi mw'ishirahamwe. Ikintu kijanye n'ibwirizwa shingiro, ni uburenganzira bw'abarundi, s'uburenganzira bwa Mkapa, s'uburenganzira bw'ishirahamwe ry'ibihugu vya Buraya.***"

Muri ico kiganiro, abavugizi b'inzego za leta baranishuye no ku bindi bibazo vy'abamenyeshamakuru.

I.Axel

ABASERUKIRA ABASHINGWAMANZA BABURANIRA ABAKOREWE IVYAHA MU MAGUME AMAZE IMYAKA IBIRI MU BURUNDI BARAKIRIWE N'IBIRO VY'UMUSHIKIRIZAMANZA WA SENTARE MPUZAMAKUNGU MPANAVYAHA.

Kur'uyu wa 19 Ruheshi 2017, ibiro vy'umushikirizamanza mukuru wa sentare mpuzamakungu mpanavyaha vyarakiriye abaserukira abashingwamanza baburanira imiryango yakorewe amabi atandukanye mu Burundi mur'aya magume amaze imyaka ibiri.

Umushingwamanza Armel Niyongere ari mubaronse umubonano, yavuze ko kwari ukugira ngo birabire aho ivyo biro bigejeje igikorwa co kwiga dosiye y'Uburundi. Yavuze kandi ko yizeye kw'aho bukera ibiro vy'uwo mushikirizamanza bigiye gutanguza amatohoza nyezina. Armel Niyongere yagize ati:" ***Abashingwamanza baburanira imiryango iriko irabura ababo mu rwimo ruriko ruraba mu Burundi, baronse umubonano mu biro vy'umushikirizamanza mukuru wa sentare mpuzamakungu mpanavyaha, aho batwakiriye tukavugana ivyerekeye dosiye tumaze kubashikiriza, ibirego vy'imiryango yabuze, intahe za bamwe bamwe mubabuze abantu, ivyabona canke abasanzwe hari ico bazi ku mabi yakorewe abarundi badushikirije. Ubwa mbere twashatse kumenya ko ivyo tumaze kubarungikira bamaze kubironka n'uko babona vyifashe, hanyuma turaca irya n'ino ivyerekeye ico kibazo c'Uburundi. Twebwe rero nk'abashingwamanza, n'aho harimwo bimwe bimwe tudashobora kuvuga kubera biguma mw'ibanga mu gihe hakiri amatohoza, twashimishijwe n'uwo mubonano w'ibiro vy'umushikirizamanza wa sentare mpuzamakungu mpanavyaha aho i Lahaye, tukaba twiyemeje kubandanya dukorana. N'ubu tubabwira, ivyo dufise, duhagarariye imiryango irenga 800. Hari iyindi miryango iriko iraturondera kugira iduhe ibirego vyabo, tuzoguma tubishikiriza sentare mpuzamakungu mpanavyaha. Kandi tukababwira y'uko dushigikiye cane ibikorwa vy'ayo. Twababwiye n'impungenge dufise ku kiringo gisigaye ari gitoyi kugira amatohoza nyezina atanguzwe mu Burundi, ariko batubariye y'uko ico kibazo bazogikwirikiranira hafi kuko nabo nyene bakizi kugira bashobore gukora ico gikorwa c'amatohoza nyezina hakurikijwe ico kiringo basigaranye. Urumva iyo miryango n'abarundi bose borema, ntaco tutazokora nk'abashingwamanza kugira amatohoza atanguzwe, zirya nzirakarengane zironke ubutungane hanyuma abakoze ivyaha bakurikiranwe imbere y'ubutungane bwigenga.***"

Abakiriwe n'ibiro vy'umushikirizamanza wa sentare mpuzamakungu mpanavyaha Fatou Benesouda, bagizwe n'abashingwamanza Alain Deteux, Armel Niyongere hamwe na Bernard Maingain. ***B.Armel***

UMUSI MPUZAMAKUNGU WAHARIWE IMPUNZI WARAHIMBAJWE KUR'UYU WA 20 RUHESHI 2017.

Ku wa 20 Ruheshi uko umwaka utashe, isi yose irahimbaza umusi mpuzamakungu wahariwe impunzi.Uno mwaka uyo musi ukaba wahimbajwe mu gihe impunzi z'abarundi zibandanya kwiyongera mu bihugu bitandukanye.

Nk'uko vyerekanwa n'ishirahamwe ryitaho impunzi HCR, gushika kur'uruyu wa 19 Ruheshi 2017 impunzi z'abarundi ziharurwa muri 427.350. Igihugu ca Tanzaniya conyene kikaba gihaye indaro abagera muri 244.127, Urwanda ruza ubugira kabiri ku 86.464, Uganda ku 48.349, Congo ku 37.354, Kenya ku 8.086, Mozambique ku 1.908, Zambiya ku 1.893 hamwe na Malawi kiza ubwa nyuma ku mpunzi z'abarundi ku 1.099.

Ishirahamwe HCR rikavuga ko riravye umurundi abo barundi bahungako, gushika kuwa 31 Kigarama uyu mwaka, ivyo bitigiri ngo bishobora kuzoba bishitse ku 564.000 vy'impunzi z'abarundi mu bihugu bine gusa, n'ukuvuga Tanzaniya, Urwanda, Uganda hamwe na Repubrika iharanira demokarasi ya Congo.

Uwo musi wahimbajwe kandi impunzi zahungiye muri ivyo bihugu bitandukanye, ziri mu bukene ntangere. Ivyo bikaza vyiyongera kw'igabanuka ry'ibifungurwa bitangwa n'ishirahamwe HCR kubari mu makambi y'impunzi, udasize inyuma n'indwara zibugarije. ***M.Dior***